Kiriga ingorane cashikirijwe ;

Kiratanga impanuro ku ngorane zijanye n'amategeko no ku ngorane zitajanye n'amategeko ;

Kirafasha kwandika ingorane z'abacituye no kuzishikiriza inzego biraba ;

Kirakurikirana amadosiye yashikirijwe inzego vyerekeye kikongera kigakurikirana inyishu yatorewe izo ngorane ;

Kirisunga ingorane zashikirijwe n'abituye ikigo mugufata ingingo irashe kugira gishoboore gutora imigambi cokoresha mugukangurira abenegihugu mungendo nziza yo kurwanya igiturire.

8. IGIKORWA C'INZEGO ZA LETA ZIFASHANYA NA CAJAC

Kugiriranira amasezerano yo gufashanya mu kurwanya igiturire n'ayandi mabi bijanye ;

Kwakira mw'ibanga ntangere amadosiye zihawe na CAJAC;

Guca hirya no hino ingorane yatuwe n'ikigo CAJAC;

Gutorera umuti urama izo ngorane zashikirijwe na CAJAC;

9. ICO IKIGO CAJAC KIDAKORA

Ikigo CAJAC ntigica imanza ;

Mubisanzwe amasentare niyo aca imanza akongera agashira mu ngiro imanza.

Ico Ikigo CAJAC gikora nuko kimaze kuronka ivyemezo bihagije gica giha inzego zibifitiye uburenganzira amadosiye cahahwe n'Abenegihugu, kikayakurikirana gushika umuti urama utowe.

Ikigo CAJAC kirerekana buri kwezi ingorane zashikiye Abenegihugu ku vyerekeye amabi y'igiturire n'ingene cotuzwa. Nta muntu canke urwego kanaka kidomako urutoke ku mugaragaro mu kumwandagaza ahabona;

Ikigo CAJAC ntigikora nk'umushingwamanza canke ngo bagihe uburenganzira bwokuburanira abahuye n'amabi y'igiturire ;

Ikigo CAJAC nta matohoza kigira kuvyerekeye amadosiye yerekeye igiturire canke ayandi mabi bijanye yavuzwe mu maradiyo, mu bimenyeshamakuru canke mu yandi makoraniro;

Ikigo CAJAC ntigitangaza ku mugaragaro ingorane mw'ido n'ido zerekeye uwacituye ataruhusha uwo vyerekeye yatanze;

Ikigo CAJAC nticitaho ingorane zitagira yinazo.

10. AHO IKIGO CAJAC GITUMBEREYE

Ikigo CAJAC kiri muri Komine ya GIHOSHA, MUTANGA Nord, kw'ibarabara ryitiriwe uwa 28 Munyonyo, iruhande y'ishure y'ubuvuzi ITEM, haruguru y'ibitaro vy'abasirikare (Hôpital Militaire).

Ikigo CAJAC cugurura imisi yose kuva kuwa mbere gushika kuwa gatanu kuva isaha zibiri gushika isaha zitandatu no kuva isaha umunani gushika isaha cumi n'imwe n'igice z'umugoroba. Ku musi wa gatandatu ikigo cugurura kuva isaha zitanu gushika isaha indwi n'igice. Ku misi y'akaruhuko ico kigo kirugururwa bikenewe.

Mushobora guhamagara kuri :

22 27 34 03 (ni ku buntu)

22 23 76 86

Murashobora guca ku buhinga bwanone mukandika mucishije kuri **abuco@ymail.com.**

Projet : « CENTRE D'ASSISTANCE JURIDIQUE ET D'ACTION CITOYENNE (CAJAC) »

Hamagara ku buntu 22 27 34 03
Internet: abuco@ymail.com

TRANSPARENCY INTERNATIONAL
the global coalition against corruption

LA COOPÉRATION BELGE AU DÉVELOPPEMENT .be

IKIGO GIFASHA KURWANYA IGITURIRE MU BURUNDI (CAJAC BURUNDI)

0. INTANGAMARARA

Ikigo gifasha kurwanya igiturire mu BURUNDI (CAJAC BURUNDI) cashinzwe n'Ishirahamwe ry'Abaguzi mu BURUNDI (ABUCO-TI BURUNDI) rifadikanije n'Ishirahamwe Mpuzamakungu ryishinze kurwanya igiturire kw'isi (Transparency International) rifashwe mu mugongo n'Ingoma y'Ububiligi. Ico Kigo cuguruye imiryango kw'igenekerezo rya mbere Ruheshi 2011. Ibikorwa vyatangujwe icese kw'igenekerezo rya kane Mukakaro 2011 n'Ubushikiranganji bwo mu biro vy'Umukuru w'Igihugu bujejwe intwaro ibereye nogushira mu minwe y'abigenga amashirahamwe ya Leta.

CAJAC n'ikigo ca mbere cashinzwe mu BURUNDI.

1. INTUMBERO

Gutsimbataza ubushobozi bw'Abenegihugu mu kurwanya igiturire ;

Gufasha ku buntu Abenegihugu muvyerekeye amategeko ajanye no kurwanya igiturire ;

Kwereka neza Abenegihugu uburenganzira bwabo bahabwa n'amategeko ;

Guhindura inyifato zijanye n'ukurwanya igiturire biciye mugufasha inzego zibijejwe mu ntumbero yo gutsimbataza intwaro ibereye.

Ikigo CAJAC kirafasha Abenegihugu mukugira ico bashikiriza canke baterereye mugutuza igiturire.Ikigo CAJAC caritegekanije umugwi w'abantu banonosoye ivy'amategeko bajejwe kwakira, kwumviriza, kwiga ingorane z'ababituye n'ukubaha impanuro bisunze amategeko y' Uburundi n'ayandi mategeko mpuzamakungu Uburundi bwateyeko igikumu. Ivyo bikorwa babikora ku buntu kandi mw'ibanga ntangere

bafatiye ku ingorane z'umwe umwe wese. Ivyo biheze, ba Bahinga bashirwaho na CAJAC barakurikirana neza ingene iyo ngorane iriko iratorerwa umuti n'inzego zibiraba kandi zibifitiye ubushobozi.

2. IHANGIRO RYA CAJAC

Ikigo CAJAC kirashigikira abacituye, abahuye n'amabi y'igiturire canke ababonye aho kiribwa canke gitangwa mu kubaha impanuro n'ingendo bogira mu ntumbero yokugituza ;

Ikigo CAJAC kirafasha Abenegihugu mukubereka inzego za Leta zobafasha mugucuvya igiturire ;

Ikigo CAJAC gifasha abacituye mw'ibanga ntangere.

3. IMIGAMBI

Ikigo CAJAC gifise imigambi ikurikira :

Gutanga impanuro, cisunze amategeko, ku bahuye n'amabi y'igiturire canke ababonye aho kiribwa canke gitangwa;

Kugwiza ibikorwa vyo guhanahana ivyiyumviro kugira inzego za Leta muri rusangi zihindure ingendo mu ntumbero yo kurwanya igiturire mu Burundi;

Gushigikira ibikorwa vyose bigamije kurwanya igiturire cibonekeza mu nzego za Leta na cane cane mu Butungane, mwitangwa ry'amasoko, mu ndero, muvyerekeye amagara y'abantu…;

Kwifadikanya n'ayandi mashirahamwe adaharanira inyungu za politike afise intumbero yo kurwanya igiturire, noguharanira intwaro ibereye;

Gufasha Uburundi kugira bube igihugu kigengwa n'ubutungane, ugusabikanya , ukwishira n'ukwizana;

Gutanga inyigisho kuri Benegihugu zerekeye kurwanya igiturire n'ayandi mabi bijanye.

4. IBIKORWA IKIGO CAJAC GIKORA

Ikigo CAJAC gifasha ku buntu abacituye uku gukurikira:

Kubonana n'Umuhanuzi muvy'amategeko ;

Kwiga neza ingorane zashikirijwe n'uwituye ikigo ;

Kwandika ibirego no gushikiriza idosiye urwego rubijejwe mw'ibanga;

Gukurikirana ingorane zashikirijwe gushika aho zitorerwa inyishu ntabanduka kandi irama.

5. ABANTU IKIGO CAJAC GIFASHA

Abantu bose baba mu Burundi canke n'amashirahamwe barashobora gufashwa n'ikigo CAJAC na cane cane :

Ba Ntahonikora, abakene n'abagowe badashobora guhemba abashingwamanza ;

Abantu bafise uburyo mugabo banyarwa utwabo bivuye kukutamenya uburenganzira bwabo.

6. UBWOKO BW'INGORANE IKIGO CAJAC CAKIRA

Ikigo CAJAC cakira ingorane zijanye n'igiturire (ibiturire bitoyi canke binini) n'ayandi mabi bijanye.Ingorane zakirwa n'ikigo zishobora kuzanana mu bisata vyose vy'ubuzi :

Gutanga mw'ibanga ntangere inyishu zijanye n'amadosiye yahawe na CAJAC;

Guhanahana na CAJAC ivyiyumviro n'imigambi yotuma igiturire gituzwa mu BURUNDI.

amagara y'abantu, indero, igisata co gucukura ubutare n'agataka, ubudandaji n'intwaro, n'ibindi bisata ivyo ari vyo vyose biva mu karere ako ariko kose k'Uburundi

7. INGENE IKIGO CAJAC GIKORA

Ikigo CAJAC gikora gurtya :

Kirakira ingorane z'abacituye ;

Kirasaba inzandiko zerekeye izo ngorane kibicishije k'Umuhanuzi muvy'amategeko;